**INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE**
**CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE**
**SECRETARIAT GENERAL**
**BP 413 GITEGA**

# IJAMBO RISHIKIRIJWE N'INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE KU VYEREKEYE UKUNAGURA INTAHE MU BURUNDI

## ITANGAZO N°02 / 002

Inama Nkuru y'Abashingantahe ishikirije iri jambo Uburundi n'amakungu, kugira ngo imenyeshe icese ivyerekeye ukunagura intahe mu Burundi. Uwo mugambi watanguye bivuye ku masezerano yabaye hagati ya Leta y'Uburundi n'Ishirahamwe Mpuzamakungu rijejwe Iterambere: PNUD, kugira ngo ufashe kurondera intwaro ibereye. Uwo mugambi watanguriye ku gutohoza kugira ngo igihugu kimenye Abashingantahe batiwe hakurikijwe imigenzo kama abo ari bo. Amashirahamwe yigenga atari make ni yo yafashije muri iryo tohoza, kugira ngo ukunagura intahe ntube umurimo wiharijwe na Leta. Ni naho igitigiri c'Abashingantahe camenyekana mu 2001 : bararenga ibihumbi mirongo itatu na bine (34.000), kandi bariho mu ntara zose z'Uburundi, ata n'imwe ivuyemwo. Ico gitigiri kirwanya ciyongera kuko Abarundi barashashaye intahe.

Haciye hashingwa Umugwi nyobozi w'umugambi wo kunagura intahe. Na wo, ugizwe n'intumwa za Leta hamwe n'abagiraneza bo muri PNUD n'ishiraharnwe ry'Abanyaburaya (Union Européenne). Uwo mugwi nyobozi waciye uhiganisha Amashirahamwe yigenga kugira ngo haboneke aboshobora gufasha Abashingantahe ngo banagure urwego rwabo. Ikigo CRID ni co cabitsindiye maze wa mugwi nyobozi uca uremeza ko ari co kibereye kwunganira Abashingantahe muri iyo ntumbero.

Ikigo CRID cashinzwe uyu murimo:

- Kuvyura urwego rw'Abashingantahe
- Gutanga inyigisho z'ukumenyesha n'ugukundisha ibanga ry'Abashingantahe
- Gukoresha uburyo burashe bwotuma urwego rw'Abashingantahe ruronka ikibanza mw'ibwirizwa Nshingiro

Ubu rero, Urwego rw'Abashingantahe ruramaze kugira indinganizo yarwo. Inama y'Abashingantahe zaratowe n'Abashingantahe bo nyene ubwabo kuva ku mutumba wa rusansuma gushika ku nama nkuru y'Abashingantahe.

Inama Nkuru y'Abashingantahe iratangaje icese ko kuva kw'igenekerezo ry'9 Myandagaro 2002 yashikiriye.yo nyene ubwayo umurimo wo gutunganya n'ukurongora urwego rw'Abashingantahe. Ntukibaye rero umurimo w'ikigo CRID. Inama Nkuru y'Abashingantahe ifashanya na wa mugwi nyobozi ugizwe

n'abaserukîra Leta hamwe n'abagiraneza bemeye gufasha muri iyo ntumbero. Gutyo rero, Ikigo CRID kirafasha gusa ibikorwa gisabwe.

Ikigo CRID si co catiye Abashingantahe bo mu gisagara ca Bujumbura ku wa 31 Myandagaro 2002. Ni Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe, ari kumwe n'Abarongoye Inama y'Abashingantahe mu gisagara ca Bujumbura yaremesheje ibirori vy'ukwatira, agirako aratira Abashingantahe kuko na we nyene yatiwe hakurikijwe imigenzo kama y'Abarundi mu kwezi kwa Myandagaro mu 1968. N'Inama y'Abashingantahe mu gisagara ca Bujumbura yari igizwe n'Abashingantahe batiriwe ku mitumba iyo bavuka.

Mu kwatira Abashingantahe mu gisagara ca Bujumbura, Inama y'Abashingantahe yisunze ingingo ngenderwako zigenga urwego rw'Abashingantahe, zashinzwe n'Inama Nkuru y'Abashingantahe kandi zikurikizwa ukuri kwamye mu gihugu cose.

Izo ngingo ngenderwako gushika ubu nizo zigenga urwego rw'Abashingantahe. Ibwirizwa Nshingiro ni ryamara kwerekana ikibanza c'urwego rw'Abashingantahe mu mategeko agenga Uburundi, hazoboneka ingingo nshasha zizoba itegeko rikurikizwa n'Abarundi bose nkuko vyari bimeze na kera.

Ariko rero, urwego rw'Abashingantahe rutegerezwa gutunganywa nka kurya kw'Amashirahamwe yigenga, mugabo rukagumana akaranga rwarazwe na ba sokuru. Ako karanga na ko kararengeye itunganywa ry'Amashirahamwe asanzwe.

Kubera ivyo:

1. Inama Nkuru y'Abashingantahe irakengurukiye icese abantu bose bamaze gutegera kandi bashigikiye ukunagura intahe mu Burundi kuko ari yo nzira izofasha kuzamura Uburundi, guhera mu mibano cane cane. Abo dukengurukiye imbere y'abandi, ni Abashingantahe bo nyene ubwabo, Leta y'Uburundi, Ishirahamwe PNUD, Ishirahamwe ry'Abanyaburaya (Union Européenne), n'Amashirahamwe yigenga asanzwe afasha mu kunagura intahe.

2. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye kandi Leta n'imigambwe kwubaha n'ukwubahiriza ubwigenge bw'urwego rw'Abashingantahe. Harageze kuvavanura n'ingeso twarazwe n'Abakoloni, z'ugucinyiza n'ugutesha agaciro imico myiza ikingira akabi abanyagihugu, ikajana n'intwaro y'ingingo.

   Ubwo bwigenge, ba sokuru bari baramaze kubushikako, gushika aho n'abatwara igihugu bisunga ingingo Abashingantahe bashitseko. Uburundi burafise imico bwokwikorako no muri iyi nzira burimwo yo kugarukana amahoro, kuko bwatabaguritse bivuye ku kudasonera imico myiza y'igihugu, n'ubushingantahe buri mwo.

3. Inama Nkuru y'Abashingantahe irahumurije abantu bose bafise amakenga ku vyerekeye ukunagura intahe. Izoguma iteze yompi abazoshima gutera agacumu k'ubumwe muri iyo ntumbero.

4. Inama Nkuru y'Abashingantahe iratangaje ko uguterana amajambo canke ugufatirako bidakenewe, kuko bijana mu nzira y'ugusambura, yishe vyinshi kandi itegerezwa gusubiririrwa n'ubwitonzi igihugu gikeneye rwose ubu ngo kiveyo.

Gire amahoro n'intahe mu Burundi.

Vyandikiwe i Bujumbura, ku wa 2611012002

Adrien NTABONA

Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Paul MVUKIYE

Icegera c'Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Zénon MANIRAKIZA

Umunyamabanga Mukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

*Résumé* : Communiqué N°2 : Réhabilitation de l'institution des Bashingantahe au Burundi

L'institution des Bashingantahe a , depuis des années , contribué à la régulation sociale, d'où l'intérêt de la réhabiliter. Pour ce faire des activités ont été menées : identification des Bashingantahe traditionnellement investis dans tout le pays, mise en place des structures de cette institution depuis l'échelon national jusqu'au niveau des collines de recensement, investiture des gens dans la mairie de Bujumbura. Le Conseil national des Bashingantahe demande au gouvernement de respecter et de faire respecter cette institution. Qui doit jouir d'une certaine autonomie

*Mots-clés* : Burundi, communauté internationale, discours, gouvernement, ONG